
Bibiliya y'Abana

Ishikirije

# Yesaya Abona Ibizoba




Yanditswe na: Edward Hughes

Amashusho ashirwamwo na:
Jonathan Hay; Alastair Paterson

Itunganywa na: Mary-Anne S.

Isobanurwa mu Kirundi na:
Manurakoze Pacifique




Yateguwe na: Biblefor Children
www.M1914.org




©2024 Bible for Children, Inc.
Uburenganzira: Murafise uburenganzira bwo kwimura canke gusohora ku mpapuro iyi nkuru mugihe gusa mutayigurisha.






Yesaya yari umuvugishwa n'Imana. Igikorwa ciwe kwari ukubwira abantu ivyo Imana yaba ivuze. Abantu ntibama bashaka kwumva ijambo ry'Imana, ariko yesaya ntiyigera areka kuvuga Imana. Yesaya yari yavuze ijambo ry'Imana kunganji y'abami bane.






Umwami Yosiya yaganza mugihugu c'i yudaya kuva mugisagara c'i yerusalemu. Muntango, Imana yarahezagiye Yosiya kuko yakora ibigororotse mumaso y'Uhoraho. Ariko yosiya aca atangura kwishima ntiyaba acumvira Imana. Aca afatwa n'imibembe kandi aca atangura kuba wenyene gushika apfuye.
3



Umwami yosiya yatwaye imyaka mirongo itandatu. Amaze gupfa, umuhungu wiwe yotamu aca aramusubirira nawe aca atwara imyaka cumi n'indwi. Imana yarahezagiye Yotamu kuko wewe yarumviriza ivyo Imana ivuga iciye muri Yesaya no mubandi bavugishwa n'Imana.
ZZIAH
4



Umwami yotamu yari afise umuhungu yitwa Ahazi. Ahazi yari afise imyaka mirongo ibiri igihe yatangura gutwara. Yamaze imyaka cumi n'itandatu atwara i yerusalemu. Ahazi ntiyashaka kumenya na kimwe ku Mana.
5


Yasenga ibigirwamana n'ibishushanyo, kandi yatumye n'abantu beshi bakora nkawe. N'aho Yesaya yari yaramugabishije, Ahazi ntiyigera yumva ivyo Imana imubuza. Yapfuye atarengeje imyaka mirongo itatu n'itanu.
6



Imana ihezagira umwami yakurikiye, Hezekiya kuko yakuyeho ibishushanyo n'ibigirwamana vyose hanyuma asenga Imana nya mana yonyene. Igihe haba hari umwansi ateye i yudaya, Hezekiya yari azi ko ingabo ziwe zitoshobora kubanesha. Yaca asaba Yesaya ngo abasengere kugira ngo Imana ize ibafashe.
7


Yesaya aca arungikira umwami ubu butumwa. "Uku niko Uhoraho avuze: ntutinye uwo mwansi … nzomukuneshereza …" Haheze igihe gito, Imana yatuma ingabo z'abansi babo zigenda zitarwanije hezekiya.
8



N'aho abantu bakorana nawe batiyumvira Imana,
Yesaya yarayiyumvira cane. Umusi umwe, agira iyerekwa. Iyerekwa ni nko kurota kandi utaryamye. Muri iryo yerekwa, Yesaya yabonye ukuntu Umwami Imana ari uwera kandi afise icubahiro gitangaje.
9


Muri iryo yerekwa, yumvise Imana ibaza iti: "Ndatuma nde?" Yesaya nawe arishura ati: "Ndi hano Mwami, ba ari jewe utuma". Yari afise ishaka ryo gukora ivyo Imana yamusaba gukora vyose no kugenda aho Imana yomurungika hose.
10


Kumbure Yesaya yiyumvira ko Imana yipfuza kumu-rungika mubihugu vya kure aho abantu batari bwumve Imana. Ariko sivyo, siko Imana yabikoze. Imana isaba Yesaya kubibwira abantu bayo mugihugu yesaya yabamwo. Yategerezwa kubabwira ko Imana yasha-vuye kubera ivyaha bakora.
11


Hariho n'ibindi bintu Yesaya yategerezwa kubwira abantu, ibintu vyiza cane vy'umuntu azoba umucunguzi ahambaye kandi azoza kubakiza ivyaha vyabo n'abansi babo. Abayuda uwo muntu bamwita "Mesiya." N'aho bari biteze ko Imana irungika Mesiya, abantu beshi biberaho nk'uko womengo ntazoza.
12


Ibintu vyose Yesaya yari yaravuze kuri Mesiya vyari vyanditswe mugitabo ciwe. N'aho yari yanditse ivyobintu imyaka myishi imbere y'uko bishika, ivyo yesaya yavuze vyose kuri Mesiya vyabaye ukuri.
13



Yesaya yavuga ko Imana ubwayo izobaha ikimenyetso. Yavuga ati:
"Umukobwa atararongorwa azosama inda kandi azovyara umwana w'umuhungu. Azomwita Emanweli."
Abantu bari bazi ko Yesaya yavuga Mesiya w'Imana kuko umukobwa atararongorwa atashobora kuvyara umwana. Ikirenzeko, izina Emanweli risigura "Imana irikumwe natwe!"
14



"Kuk'umwana atuvukiye, duhawe umwana w'umuhungu. Yahawe ubutware bw'Umwami. Azokwitwa umujanama mwiza, Imana ihambaye, umuvyeyi ibihe vyose, umuganwa w'amahoro." Yesaya yari azi ko amasezerano y'Imana azoba ukuri. Yavuga nk'uko womengo ivyo bintu vyamaze gushika. Nico bita ubuvugishwa.



Yesaya yari azi ko Mesiya azoba umuntu ahambaye kandi ko azokora ibintu bitangaje cane. Imana isaba kandi Yesaya kubwira abantu ko Mesiya azobabazwa kandi ko azokwicwa. Yesaya arashobora kuba yaribajije ingene mesiya ashobora kuba umuntu ahambaye akongera akaba umuntu w'intege nke kandi ashobora gukomeretswa. Ariko Yesaya ntiyaharira n'Imana, asubiramwo gusa ivyo Imana yamusavye kuvuga. Imana yarakoze gushika aho ubuvugishwa bwayo buhinduka ukuri.





Mesiya yaza atari kubw'abayuda gusa. Imana ibwira Yesaya ko Mesiya azoba "umuco ubonesahereza abanyamahanga." Abanyamahanga ni abantu bose bari mw'isi ariko atari abayuda. Imana ikunda abantu bose kandi na Mesiya w'Imana yaza guhezagira abantu bose no kuzana agakiza kubantu bari mw'isi yose.





Yesaya Abona Ibizoba

Inkuru ivuye mw'Ijambo ry'Imana, Bibiliya

tuyisanga muri

Yesaya 1, 6, 7, 9, 53

"Guhishurirwa amajambo yawe kuzana umuco, guha abatungu ubwenge." Zaburi 119:130






27 60



Iyi nkuru ya bibiliya itubwira kuvyerekeye Imana yacu y'igitangaza yaturemye kandi igashaka ko tuyimenya.

Imana irazi ko twakoze ibibi, arivyo yita icaha. Igihano c'icaha ni urupfu ariko Imana iragukunda cane yarungitse umwana wayo w'ikinege, Yesu, gupfa ku musalaba kugira ahanwe kubw, ivyaha vyawe. Hama Yesu asubira kubaho aca agenda I muhira mw'ijuru. Niwizera Yesu ukamusaba aguharire ivyaha vyawe, azobikora. Azoza abe muri wewe, hama uzobana na we ibihe bidashira.

Niwizera uko ni ukuri, bwira Imana ibi:
Yesu mwiza, ndizera ko uri Imana, kandi wacitse umuntu ugapfa kubera ivyaha vyanje, hama ubu ukaba uri muzima. Rero ingo mu bugingo bwanje hama uharire ivyaha vyanje, kugira ngire ubugingo bushasha, hama umunsi umwe nze mbane na we ubugingo budashira. Mfasha kugira ndakwumvire kandi mbeho ku bwawe nk'Umwana wawe. Amen.

Soma bibiliya hama uvugane n'Imana iminsi yose. Yohana 3:16